**Agence de Régulation et de Contrôle des Assurances**

ARCA

**ITANGAZO RISHIKIRIJWE N'URWEGO RWA LETA « ARCA » RUJEJWE GUGENZURA NO GUCUNGERA IVYEREKEYE GUTEGANIRIZA IMPANUKA (ASIRANSI) KU VYEREKEYE ISHIGWA MU NGIRO RY'IGICIRO GITOYI GIFATIRWAKO MU KURIHA ASIRANSI Y'IVYO UMUNTU ASHOBORA KUBAZWA KU MODOKARI N'IBINDI BIGENDESHWA BIFISE IMOTERI**

Urwego rwa Leta « ARCA » rujejwe kugenzura no gucungera ivyerekeye guteganiriza impanuka (asiransi) « ARCA », inyuma y'igendura rwakoze mu mashirahamwe ateganiriza impanuka akora ivyo guteganiriza impanuka z'ivyo umuntu ashobora kubazwa ku modokari n'ibindi vyiyunguruza bifise imoteri kugira rusuzume ingene ingingo yo ku wa 02/08/2023 ishiraho ibiciro bishasha bito bifatigwako mu kuriha amafaranga asabwa mu guteganiriza, rwasanze ko, kuva ku wa 01/09/2023, ayo mashirahamwe yose atubahirije iyo ngingo mu gutoza ababitura amafaranga arenze kuyo barekuriwe n'iyo ngingo.

Kuri iyo mvo, Urwego ARCA rumenyesheje abantu bose ibi bikurikira :

1. Urwego ARCA rutegetse amashirahamwe yose ateganiriza impanuka z'ibigendeshwa bifise imoteri (imodokari, amapikipiki, etc…) gusubiza amafaranga yose arenze yatojwe, kuva ku wa 01/09/2023, abantu bose baje guteganiriza impanuka z'ivyo abantu bashobora kubazwa ku bibigendeshwa bifise imoteri,

2. Urwego ARCA rusavye ko, abantu bose barishe amafaranga mu guteganiriza impanuka z'ivyo vyavuzwe hejuru kuva ku wa 01/09/2023, inyuma yo kwumva canke gusoma rino tangazo, bokwihutira aho amashirahamwe ateganiriza impanuka bagiraniye amasezerano akorera kugira basubizwe amafaranga barihishijwe arenzeko. Mu gihe bogira ikibazo mu gusubizwa basabwe kwitura Urwego ARCA ku cicaro carwo kiri mu nyubakwa y'Ubushikiranganji bw'Ikigega ca Leta, igorofa ya 2, Tél : 22 27 63 46 /47 canke bakandika ubutumwa bugufi no kuri WhatsApp ku numéro 77 56 90 90 canke kuri E-mail : arca@arca.bi.

3. Amashirahamwe yose ateganiriza impanuka z'ivyo abantu bashobora kubazwa ku bigendeshwa bifise imoteri bategerezwa kurungikira Urwego ARCA icegeranyo c'ingene iryo subizwa ry'ayo mafaranga yatojwe arenze kuyashizweho n'ingingo yarwo ryagenze bitarenze ku musi wa gatanu igenekerezo rya 06/10/2023, isaha zitandatu z'umutaga.

4. Mu gukumira ko ukwo kwihenda gusubira, Urwego ARCA rutegetse ko amashirahamwe yose ateganiriza impanuka amanika, rimwerimwe ryose aho rikorera, nk'uko amategeko abivuga, ibiciro rikoresha kandi vyemejwe n'Urwego ARCA.

**Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 27/09/ 2023**

**LE SECRETAIRE GENERAL DE L'ARCA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI A.R.C.A Tél : 22 27 63 46 22 27 63 47 Agence de Régulation et de Contrôle des Assurances

**Hon. Dr. Joseph BUTORE**